
Bibiliya y'Abana

Ishikirije



# Umutunzi N’umworo

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
M. Maillot; Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: M. Maillot; Sarah S.


Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique


Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.




Yesu yari azi ko abakuru b’ishengero beshi bakunda amahera kuruta uko bakunda Imana. Aca ababwira ivyashikiye abantu babiri, n’igituma atakimazi bifise kuba umutunzi ariko udafise Imana m’ubuzima bwawe. Amahera ntashobora kugura kubana n’Imana m’ubugingo budashira mw’ijuru.




Harabaye umuntu yari umutunzi yambara impuzu zizimvye cane. Yambara nk'umwami.
3
Uwo mutunzi yarya neza imisi yose. Ivyo afungura vyose vyama ari inzimano iteguwe neza. Yari afise amahera meshi cane k'uburyo yashobora kugura ivyo ashaka vyose kw'imfungurwa zo mugatondo, sasita n'inyuma y'umutaga-n'aho yaba ashaka utwo aza ararya.
4
Umworo asega kandi ashonje yama aryamye imbere y'umuryango w'inzu y'uwo mutunzi. Uwo mworo yitwa Lazaro.
5
Uwo mworo Lazaro yari afise ibikomere k'umubiri wose. Birashoboka ko yoba yar'afise indwara. Birashoboka ko yoba yar'afise imivyivyi y'inkoni abandi bamukubise. Birashoboka ko yoba yar'afise ibikomere kuko atafungura imfungurwa nziza nk'amata, imboga n'inyama.
6
Lazaro yari yipfuza cane kuronka ivyo afungura. Yari yumva yonezerwa no kurya ivyakorokera musi y'imeza y'umutunzi.
7
Imbwa ziyerereza zaraza rimwe na rimwe gufyeta ibisebe vy'uwo mworo asega atagira ikimukingira. Zakugira impande yiwe hanyuma zigafyeta ibisebe vyiwe. Ntamuntu n'umwe yitaho Lazaro n'inzara yari ashonje.
8


Umusi umwe mugitondo, Lazaro ntiyavyutse. Umworo ashonje kandi asenga atagira n'abagenzi yari yavuye muri ubu buzima. Yari yapfuye.
9
Umunezero uba uratanguye kuri Lazaro igihe yari apfuye. Yesu avuga ko abamarayika bajanye Lazaro aho Aburahamu ari. Imana ihoza Lazaro. Imana ihoza Lazaro.
10
Na wa mutunzi arapfa. Amahera yose yari afise ntiyashobora gukiza ubuzima bwiwe. Urupfu ruje, nta muntu n'umwe ashobora kuruhagarika.
11
Umutunzi arahambwa. Birashoboka ko bamugiriye ibirori bihambaye vyo kumusezera. Birashoboka ko abantu beshi bamukeje ko yagize ubwenge kandi ko yaroraniwe muri vyishi. Ariko amashimwe yabo ntaco yamufasha. Umutunzi yari m'umuriro.
12
M'umuriro, umutunzi yariko ararira ati: "Aburahamu, data, rungika Lazaro aze akoze isonga ry'urutoki rwiwe mumazi anzimye ururimi kuko ndiko ndababazwa cane m'umuriro."
13
Aburahamu aramwishura ati: "Mubuzima bwawe wari ufise vyose ariko Lazaro ntanakimwe yari afise." "Ubu Lazaro arahojejwe nawe uriko urababazwa. Ntawushobora kujabuka ikimanga kinini kiri hagati yawe na twebwe."
14

Wa mutunzi aringinga ati: "Tuma Lazaro aje kuburira abavukanyi banje batanu" "Sinshaka ko nabo bazosozerera ubuzima bwabo mukuza muri iki kibanza c'imibabaro."




15

Aburahamu aramwishura ati: "Abavukanyi bawe barafise ijambo ry'Imana," nibatizera ico ijambo ry'Imana rivuga, ntibokwizera n'aho Lazaro yozuka.



16

Yesu ahejeje kubabwira inkuru y'umutunzi n'umworo, abakuru b'ishengero barashobora kuba baribajije bati: "Noba nkunda ubutunzi kuruta uko nkunda Imana?" Kuva ubwo baciye bamenya ivyobashikira mugihe boba batumviye ico ijambo ry'Imana rivuga.



17

Umutunzi N'umworo

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Luka 16

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

18

# Iherezo

44 60

19

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16

20